LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


Uwo uri wese ubahirizwa

# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

**N°525 kiva kuwa 04 gushika kuwa10 Rusama 2026**

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 10 Rusama2026, abantu bashika 866babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi 782 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

## IBIRIMWO

*0. INTANGAMARARA..........5*

*I. UMWIHWEZO ..........5*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ..........11*

*III.UBURENGANZIRA BW'IMIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA..........14*

*IV. UBURENGANZIRA KU MIGWI ..........15*

# IKARATA Y'INTWARO MUBURUNDI

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA16 NTWARANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

***CENI*** : Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora

***CNDD-FDD*** : *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

***CNL*** :*Ikoraniro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo*

***FRODEBU*** : ***Urunani ruharanira demokarasi mu*** *Burundi*

***CDP*** : *Urunani rw'abakunda igihugu*

***CODEBU*** : *Ihuriro rya demokarasi muBurundi*

***M23*** : *Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante*

***RDC*** : *Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo*

***FARDC*** : *Ingabo za Repuburika iharanira Demokarasi muri Kongo*

***FDLR*** : *Urunani rwa demokarasi rwo kubohoza uRwanda*

***CDS*** : *Ikigo c'ubuvuzi*

***ECOFO*** : *Ishure shingiro*

***HCR*** : *Ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumweryitaho impunzi*

***OBM*** : *Ikigo kijejwe ubutare mu Burundi*

***OPJ*** : *Inyamiramabi*

***PNB*** : *Igipolisi c'igihugu c'uBurundi*

***SNR*** : *Igendereza*

***REGIDESO*** : ***Ishirahamwe ritanga amazi n'umuyagankuba***

***RN*** : *Ibarabara ry'igihugu*

***VBG*** : *Amabi afatiye ku gitsina*

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


*0. INTANGAMARARA*..........5

*I.UMWIHWEZO.*..........5

*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE.*..........6

*I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.*..........8

*I.3.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.*..........10

*I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*..........11

*I.5. UMWIHWEZO W'INTWARO*..........11

*II.UMWIHWEZO W'ABANTU NO MURI POLITIKE*..........12

*II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA.*..........12

*II.1.1.* UBWICANYI BUTEGUWE..........12

*II.1.1.1 ABANTU BISHWE N'ABATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*..........13

*II.1. 2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO .*..........13

*II.2.UBURENGANZIRA BW'UKUDAHOHOTERWA.*..........14

*II.2.1.UKUBOREZWA IGUFA, UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI*..........14

*II.2.2. UGUFATWA KUNGUVU*

*III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA*..........14

*III.1. UNURENGANZIRA KU MAGARA*..........14

*IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*..........15

*IV.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA*..........15

*IV.1.1.UBWICANYI BW'ABANA*..........15

*IV.1.2. UBURENGANZIRA BWO GUKINGIRWA KU BANA BAHOHOTERWA BAKANAFATWA MABI* 16

*V. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA*..........17

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 04-10Rusama 2025.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka kirihweza kandi ivya poli-tike,umutekano,ubutungane,ubutunzi,intwaro ibereye hamwe n'ibidukije.Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike vyaranze iyindwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryabonetse kandi ryatohojwe n'umuhari Iteka rimeze uku gukwirikira: abantu 2 bishwe,bose batowe ibiziga hamwe n'abana 3 bishwe harimwo imbanyi yakorowe nyina atabishaka, 3 kakorewe amabi afatiye ku gitsina bose b'abakobwa bafise imyaka iri musi ya 18 hamwe n'umuntu 1 yakorewe amabi yo murugo,umuntu 1 yanyurujwe,2 bafashwe bunyamaswa harimwo umwana hamwe n'umwe yahagaritswe yongera arapfungwa biciye kubiri n'amategeko.Ahanini abikekwako ayo mabi n'abo mu ntwaro,abapolisi,abasirikare,urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri u butegetsi, CNDD-FDD.

## I. UMWIHWEZO

### *II.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE.*

***Umubonano w'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD muri komine Gisagara mu nta-ra ya Buhumuza.***

Ku musi wa gatanu igenekerezo rya 8 Rusama 2026, muri komine Gisagara, zone Cendajuru, umugambwe CNDD-FDD waratunganije umubonano w'abanywanyi bawo hamwe n'abakunzi bawo.Uwo mubonano witabwe kandi n'abanywanyi b'uwo mugambwe bo mu ma zone ahegereye harimwo Zone Twinkwavu na Zone Nyamugari. Wari urongowe na Frédéric NZOYISABA, arongoye uwo mugambwe ki rwego rwa komine Gisagara. Abafashe ijambo bose uhereye ku wurongoye umugambwe ku rwego rwa zone Cendajuru umushingantahe NDAYISABA Michel hamwe n'uwurongoye uwo mugambwe nyene ku rwego rwa komine Gisagara,baragarutse ku matora y'umukuru w'igihugu ategekanijwe mu mwaka uza w'2027. Barasavye a Bagumyabanga guhimiriza ku ntsinzi y' amatora 100% n'amwe yo gutora abajenama ba komine n'abashingamateka yo mu 2025.Ntibizotahurika bishitse bakaronka amajwi adashikira ayo barose mu 2025.

Baranavuze no ku mbono y'igihugu c'ifashe mu 2040 kandi giteye imbere mu 2060.Bahimirije ko ari ugutera amavoka, ika-wa batibagiye ingingo iheruka ya Reta kw'isuku n'isukura.Imbere yo gusozera umubonano, bareretse a Bagumyabanga udupira dushasha tw'umugambwe umunywanyi w'umugambwe wese ategerezwa kugura ku giciro ca 3.500fbu mu matora yimirije.Baranerekanye abanywanyi bashasha bakiriwe mu mugambwe.Kubwo amasoko amwe amwe mu mugambwe,si abanywanyi bashasha binjiye,wari umukenyuro wo kwemeza abantu. Kuvyerekeye icivugo c'imbono 2040-2060, ivyiyumviro bimwe bimwe mu gisagara ca Ruyigi bivuga ko ari amajambo ya politike afise intumbero yo kwiyamamaza.

Ntibizokoroha gushikira iyo mbono mugihe igihugu kitagira umuyaga nkuba udahara mw'iterambere ry'igihugu.Akarorero ntamusiga ni n'uko igisagara ca Ruyigi kimaze hafi indwi kitagira umuyagankuba ivyazingamitse ubuzi bwinshi.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 5)*

**Imigambwe 7 yanse umubonano wa CENI kandi isaba ibiganiro bihuza bose mu Burundi.**

Umugwi wigihugu wigenga ujejwe amatora wategekanije amatora y'umukuru w'igihugu kuwa 3 Rusama 2027,hamwe n'incuro ya kabiri itegekanijwe kuwa 1 Ruheshi 2027.Iryo tangazo ryagizwe na Prosper Ntahorwaiye, arongoye CENI,mugihe c'umubonano wabaye ku musi wa 5 igenekerezo rya 8 Rusama 2027 i Bujumbura ,hari aberwa n'amatora. Imigambwe 5ariyo UPRONA, Sahwanya Frodebu, CODEBU, CNL, na CDP, bahisemwo kutitaba uwo mubonano,nkuko bishikirizwa n'amatangazo bashizeko imikono. Basaba ibiganiro bihuza abarundi bose kandi bavuga ko bahagaritse kwitaba igikorwa ico arico cose giteguwe na CENI mugihe igisabo cabo kitazokwakirwa. Muri iryo tangazo,iyo migambwe ivuga ko bitwaye ku barongozi babijejwe benshi,harimwo n' umukuru w'igihugu c'uBurundi, kugira bashire ahabona ubunenge bukomeye,kubwo abo,bwatumye bata icizere ku matora ya 2025.Abashizeko umukono kunyandiko bamenyesha ko ukutaronswa inyishu ziberewe ku birego vyabo biteye amakenga ku vyerekeye icizere ku nzego zitegura amatora. Bafata ko CENI,mu kuntu yubatse ubu kandi baravye n'ivyo ikora,idashoboye gutunganya amatora akwije ibisabwa vy' umugaragaro n'ukunganisha.Ku rundi ruhande,iyindi migambwe 2,RANAC na APDR, bavuye mu mubonano wo ku musi wa gatanu 8Rusama 2026,wahariwe kumenyesha aho imyiteguro y'amatora y' umukuru w'igihugu mu 2027 igeze hamwe n'intambwe zigiye gukurikira z'ico gikorwa.Kubwo abatwara imigambwe,uko bakurikirana Aloys Baricako na Gabriel Banzawitonde, uku kudahuza vyabaye mugihe c'impari vyabatumye biyonjorora imbere y'uko umubonano urangira.Abo batwara imigambwe basaba kandi ibiganiro kugira amatora yimirije y'umukuru w' igihugu azogende neza.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

**Umuriro wrwtabagaje isoko rya Kinama muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura.**

Ku musi wa kane 07Rusama 2026,isoko ryo mu Kinama riri muri karatiye Ruyigi ya Zone Kinama muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura, ryaratabagajwe n'umuriro.

Kubwo isoko ryacu,hari hafi igihe c'isaha 2 zo mu gitondo igihe umuriro waduka ahantu hama hagurishirizwa kandi hakoresherezwa amaterefone ngendanwa.Urubeya rwararandagase vyihuta kandi abantu baciye bihutira kurokora bimwe mu bintu vyabo.Kubwo isoko ryacu nyene,ibidandazwa vyinshi vyarahiye ibindi biribwa cane cane ko haje abasuma benshi.Abadandaza bamwe bamwe bemeza badahingitanya ko batakaje ibintu vyose mugihe abandi bavuga ko bakubiswe mugihe bariko bagerageza gutora ibintu vyabo.Imodoka zizimya umuriro zagiye gushika inyuma y'isaha igice kinini c'isoko camaze gutokombera.Twomenyesha ko abadandaza bo mw'isoko rya Kinama bari mu kangaratete kandi basaba abarongozi kubagarukirako. Abarongozi bavuze ko isoko ryari ryishingijwe na komine ko kuri ubwo abadandaza bazoshumbushwa.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO(Ibikurikira urupapuro 6)*

**Igwirirana ry'ingabo za FDLR mu Kibira n'aba Wazalendo ku butaka bw'u Burundi biteye amakenga ababa mu makomine ya Bukinanyana na Mugina mu ntara ya Bujumbura.**

Intambara iriko ibera mu buseruko bwa Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo, nko muri kivu zompi,irimwo imigwi igwana itandukanye.Muri bo,imigwi y'Imbonerakure, Wazalendo hamwe n'Interahamwe za FDLR yarerekanye ibimenyetso ko bari ku butaka bw'Uburundi mu mpera z'umwaka wa

2025,mugihe Goma na Bukavu baguye mu ntoke za AFC/M23.Umuzo wabo,kera ntiwari uteye amakenga akomeye,kubera iyo migwi yitwaje ibirwanisho yagira uruja n'uruza muri Kongo no mu Burundi,irondera ibirwanisho. Ariko rero,muri Kigarama 2025,mugihe batana mu mitwe bapfa Uvira,iyo migwi yararondeye ubuhungiro mw'ikambi ya Muremera, muri komine Bukinanyana. Vuba cane,umuzo wabo warateye amakenga,kubera bazana uruhagarara mu bantu.Abahaba bavuga ko ikambi ikambi ironka inkwi bazikuye mu mirima yabo,izo nabo baba bakeneye.Vyongeyeye,baradomako urutoke Reta, ifasha imigwi ariko ntiyihe inkwi.Inyifato y' ubutunzi bw'abantu bo ku Muremera bwaratitutse kuva iyo migwi ishitse, vyunyurwa n'iduga ry'ibiciro mu gihugu cose.Bafata ko ivyo bakenera biguma biba vyinshi bituma ubuzima buzimba kandi biremereye cane ku butunzi bwabo. Mugihe iyo migwi ifatwa ko yaje gufasha Reta,yotegerejwe gufatwa neza ku buryo itaburabuza ubuzima bw'abarimyi barwana imisi yose kugira bashobore kubaho bitoroshe.Abagabo bo mu karere, baharurwamwo ba se b'abana,abavukanyi hamwe n'abubatse nabo nyene barashikiriza amakenga yabo ku mutekano w'abagore n'abakobwa,bibaza ko bazobagirira nabi.

Ivyegeranyo vyerekana imigenderanire hagati y'imigwi igwana n'abagore bo mu karere,kandi biratuma havuka benshi.Mu bihe vy'ingorane ziboneka hamwe n'ubukene bukabije,biragoye ko abo bagore bigumya ku mageragezwa y'amahera abo bagabo babaha,naririya Reta yamaze kubahemba.

Iruhande y'ivyo birego,ibindi biguma bivugwa: ikambi ya Muremera yahindutse ikirindiro c'Interahamwe za FDLR.Izo ziza zivuye muri Kongo mw'ijoro,ziraharuhukira imisi mikeya imbere yo kubandanya zija mu Kibira.

Ibihuha haciye igihe bizunguruka bivuga ibirwanisho binyuragirana mu karere,hamwe n'uko hashobora hariko hategurwa igitero c'uRwanda gikorwa n'urunani rurimwo u Burundi,FDLR n'abo bacuditse.

Ivyo bihuha vyaba bifise ishingiro canke bitarifita, bisaba kubikurikiranirwa hagufi n'amakungu hamwe n'abaharanira agateka ka zina muntu,kugira barwanye amabi mashasha mu karere k'ibiyaga binini.Iruhande,Interahamwe za FDLR zirakomezakwionekeza ku rubuga,kandi kuva ku musi w'Imana igenekerezo rya 3 Rusama 2026,amakamyo menshi ya gisirikare yarakwiragiye,atwara abasirikare harimwo bamwe bavuga iKinyarwanda.

Abacukura ubutare,basubiriye ibikorwa vyabo inyuma yo guhagarikwa, co kimwe n'abarimyi bo mu ma zone ya Mabayi na Ruhororo, bavuga ko bako bababajwe n'iryo shwiragira,kuko bategerezwa gutwara ibikoresho vya gisirikare mu Kibira, bigahungabanya gutyo ubuzima bwabo bwa misi yose n'ubutunzi bwabo.Ubwoba buguma bwiyongera mu banyagihugu,nko mu ma zone ya Butahana, Mabayi na Ruhororo, ahereranye n'iKibira, arico gice kinini c'iyahoze ari komine Mabayi.Benshi mu baba muri ako karerebarahuye n'intambara,kandi i kibira kibibutsa ibintu bibabaje. Hagati ya 1996 na 1998,iyo zone yarabaye ikirimbiro ry'ibitero bikomeye vyahuza abasirikare b'Urwanda n'Interahamwe zari kumwe n'inyeshamba za CNDD,bisiga amarira menshi mu miryango.Ukwiyunga kw'ubu hagati y'ubutegetsi bwa CNDD-FDD na FDLR, mu ntumbero yo gukomeza uruhagarara mu Rwanda,biteye amakenga menshi mu banyagihugu.,nko mu gice kinini caMugina, ama zone 6 muri 9 ahana urubibe n'uRwanda hamwe na 3 akora ku Kibira.

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

**Umusirikare yahanywe na sentare nkuru muri komine Rutana mu ntara ya Burunga.**

Kuri uyu wa kane igenekerezo rya 07Rusama 2026,sentare nkuru yo mu Rutana yarahanye umusirikare capitaine Étienne Barusasiyeko mu rubanza rw'ikibihiraho imuhanisha ahanini umunyororo w'imyaka 20 hamwe n'indishi y'akababaro ya10 000 000 Fbu kubera yanyuruje umwigeme yitwa Évelyne Nininahazwe.

Mu bisanzwe, Évelyne ni umukozi wa Lumicash y'i Gitega kandi yabonye Étienne amusaba kubikura 300,000fbu arabikora nk'uko yama.Munyuma yamubariye ko akeneye kandi 400,000fbu hama Évelyne yishuye avuga ko terefone yiwe itagira umuriro a hama Étienne amubwira yinjire mu modoka yiwe kugira bashire umuriro muri mw'iterefone kugira abimukorere, Évelyne arurira ata makenga.

Inyuma y'umwanya mutoya, Étienne yarugaye imodoka yiwe aca afata ibarabara Gitega- Rutana. Ashitse mu Butomangwa, yakatiye Mpinga kayove hafi isaha 12 n'igice.mw'ibarabara,afise inkoho yo mu bwoko bwa pistoret,aca arahagarara ku nkengera y'ibarabara yongera ategeka Évelyne kururuka kandi akure impuzu zose aca arabikora kubera ubwoba, Étienne nawe nyene yatanguye gukura umwambaro wa gisirikare ubwo nyene.Abonye ko yashize inkoho hasi,Évelyne yarahunze ari gusa aca ashika mu muhana uhegereye akoma induru cane.Étienne yarakwirikiye Evelyne aca arafatwa n'abanyagihugu bo ku mutumba Nyanza, zone Nyanza komine Musongati mu ntara ya Burunga. Abo banyagihugu bahamagaye musitanteri wa komine Musongati na komiseri wa komine Musongati kugira baze gutora uwikekwako icaha aca apfungirwa mu gasho ka komisariya ya komine Musongati hama Évelyne asubizwa muhira.Gutyo, Étienne yahanywe kubera ukunyuruza no kugerageza gufata ku nguvu.

**Umushikiranganji w'ubutungane ashaka kurekura inkozi y'ikibi ata rubanza rubaye: Abanyagihugu bavuga ko ari ukubinjirira bivanze n'ibiturire muri komine Mugina intara ya Bujumubura.**

Mu Burundi aho uburenganzira bwo gushikiriza ivyiyumviro bwarahagaritswe n'intwaro ihari kandi imbuga ngurukana bumenyi zahindutse amasoko nyamukuru y'inkuru,ni ikintu citandukanije n'ibindi kitazungurutse ku mbuga ngurukana bumenyi nkuko haciye imyaka 11 bimeze,ikiringo murico abamenyeshamakuru benshi bahunze igihugu kubera ikiringo ca gatatu c'umuhisi Pierre NKURUNZIZA carwanijwe n'imigambwe hamwe n'igice kinini c'abaharanira agateka ka zina muntu n'abarundi. Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 4 Rusama2026 ivuga ko kuwa 08 Ruhuhuma 2026,mu cuka c'ububisha bw'amangetengete nk'uko kenshi biba mu myuga imwe imwe nko kwimba ubutare,D'Amour MAHOROYIMANA afise imyaka 24,acukura ubutare,yaranyitse inyuma y'aho umukoresha wiwe aza kumurondera kandi kuva aho,ntiyagarutse.Kubwo amatohoza yimbitse, Florence NDUWAYO ashigikiwe na Bonfils MPAWENIMANA bafatanije n'abakozi babo bataye uwagize ivyago D'Amour MAHOROYIMANA mu kinogo kiri ku kirindiro c'uwategetse ubwicanyi Florence NDUWAYO. Ntiryari isanganya risanzwe ariko bwari ubwicanyi bwateguwe bugamije kuronka umwimbu munini w'inzahabu nk'uko abacukura inzahabu benshi bavyibaza,aho bubera ubwicanyi bw'amangetengete.

## *I. 3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE (Urupapuro 8)*

Kuva iryo bara riguye, Florence NDUWAYO na Dénis, uwundi yikekwa muri urwo rupfu yararengukijwe kuri birigade ya Mabayi inyuma yaho D'Amour MAHOROYIMANA ahunze atumbera Tanzaniya hanyuma akaja mu Rwanda aho nyina wiwe ava. Inyuma yogutanga igiturire,abo baciye barekurwa ari ikibabaje kuri Florence NDUWAYO,ubwo bubisha bwarasamiranye cane gushika aho yisanga muriSentare nkuru ya Cibitoke hanyuma i Bujumbura.

Mu gihe imiryango y'uwo yishwe barindiriye urubanza rubereye kandi rudahengamye no mu gihe Sentare y'iyungururizo ya Ntahangwa yari yafashe ingingo yogufunga uwagirizwa ubwo bwicanyi mukurindira ko urubanza rucirwa. Amasoko yacu avuga ko Alfred AHINGEJEJE, umushikiranganji w'ubutungane,ava i Butahana,iri impande ya zone Mabayi aho uwagirizwa aba,yashaka gupfungura Florence NDUWAYO kubera ibaganiro bagiranye n'umuryango Florence yubatsemwo ku gituririre kirenga amahera imiriyoni 10 vy'amafaranga y'amarundi. Ayandi masoko amenyesha ko Evariste NDAYISHIMIYE harimwo umushikiranganji w'ubutungane ni umwe mu bashikiranganji bakunzwe,ashaka kworosha irekurwa rya Florence NDUWAYO kugira ngo nk'impembo,ashikire ico kirindiro c'ubutare kiri mu mwonga wa Nyamagana,muri zone Mabayi, muri komine Mugina ahegukira Florence NDUWIMANA.

Imiryango ry'uwishwe ivugako ari ukwinjiriranira mu kazi hamwe n'ibiturire kandi iyo miryango yararahiye ko bazokwica Florence NDUWAYO akirekurwa.

## *Intwazangabo y'ipete rya kapitene y'UburundI yaciriwe urubanza kubera amabi yakoze akoresheje ikirwanisho c'akazi*

Igwirirana ry'imanza ririmwo intwazangabo z' igisirikare i Burunga birateye amakenga. Mu ndwi nkeya,imanza zibiri zikomeye zarahungabanije akarere ka kane ka gisirikare : Intwazangabo yaciriwe urubanza kubera kunyuruza akoresheje ikirwanisho no gushaka gufata ku nguvu,hamwe n'intwazangabo ry'ipete rya majoro apfunzwe kubera ukuboreza igufa umusirikare afise ipete rya kaporare gushika aho acikana. Izo manza zivyura vy'amabi no gukoresha igikenye vyagirizwa intwazangabo zimwe zimwe.

Kuwa 07 Rusama 2026, Sentare nkuru ya Musongati yaciriye urubanza kapitene BARAGUNZWA Célestin imukatira imyaka 20 y'umunyororo. Iyo ntwazangabo, yakora mw'ikambi ya Kayero,yagirizwa ku nyuruza no gushaka gufata ku nguvu umukobwa akiri muto, Ikorineza,i Gitega. Ku bwo uwuhagarariye Reta mu butungane,iyo ntwazangabo yakoresheje ikirwanisho kugira amutere ubwoba yongere agerageze gutwara uyo mwigeme ku nguvu.Umwigeme yarashoboye guhunga hanyuma ahungira ku muhana wari uhegereye. Urwo rubanza rwarababaje abanyagihugu, bakavuga benshi ukwitwaza ubutegetsi kw' intwazangabo yategerezwa gukingira abanyagihugu.

Urubanza rwa kaporare HATUNGIMANA Albert, yapfuye inyuma yo kuborezwa igufa,rwateye icuka mu gisirikare. Umumajoro MANIRAKIZA Gilbert, yamaze kwagirizwa gutwaza umukazo,arapfunzwe mukurindira urubanza rwiwe. Inyuma yo guhagarikwa kubera ubwicanyi,HATUNGIMANA, yashijwe mu cumba c' ikosorero,araborezwa igufa kw'itegeko rya MANIRAKIZA, gushika aho acikana. Iryo bara rigarukana ivyagiriji bitavuzwe kuri majoro,yagirizwa amabi yo guhonyanga amategeko hamwe n'iterabwoba.

Ubuhinga bwo gutanga ibihano buteye amakemnga mu makambi amwe amwe ya gisirikare navyo vyaragarutse imbere y'ubutungane. Ibihano vyo gukubitwa biracakorwa ,naho hari amategeko bokurikiza. Urupfu rwa HATUNGIMANA rwararaje ishinga ku ruhererekane rw'itangwa ry'amategeko mu karere ka 4 ka gisirikare.

Izo manza ziracafuza ishusho y'igisirikare is Burunga, ku kwibutsa kugira amatohoza yimbitse hamwe n' ibihano vy'abo vyagirizwa.Abasirikare bizera ko izo manza zizoba ikimenyetso co kugarukana indero n' umwizero mu gisirikare.

## *I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*

### *Iduga ry'ibiciro ry'ibintu nkenerwa muri komine Karusi mu ntara ya Gitega.*

Kubera ikena ry'igitoro,ukwiyunguruza vyabaye akayoberabahinga. Icupa ry'iritiro n'inusu riza rigurwa amahera angana 28000 Frbu.Ibiciro vy'ibintu vya nkenerwa vyariyongeye muri iyi minsi.

Dufatiye kw'iryo duga ry'ibiciro,imyidogo 'abanytu iribonekeza,bafise abatongo kw'ibarabara rya 12 hamwe no ku mirwa mikuru y'intara bategetswe gusasa amabuye mu kibanza c'imetero 6 hagati y'ibibanza vyabo hamwe n'ibarabara rikuru kugira bahasase amabuye.

Ibikoresho vyo kwubaka ntibisiba kuduga. Nk'akarorero,umufuko w'isima ya BUCEKO ibiro 50 ugurwa 65.000Fbu. Isima iva hanze igurwa hagati y'ibihumbi 75000 na 80000 Fbu.Ibeni y'amabuye y'imijabu igurwa amahera 190.000 Fbu hanyuma ibweni y'umusenyi bivanye n'ubwoko bwawo ugurwa hagati y'amahera 200.000 na 220000 Fbu. Vyongeye,bategetswe kandi gusiga aho bashashe amabuye.

## *I.5. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### *Igipfungu kiri mw'itangwa ry'ifumbire muri komine Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.*

Abarimyi bo muri komine Cankuzo,mu ntara ya Buhumuza, ntibabona ico gufata n'ico kureka inyuma n'igihe kinini barindiriye ifumbire y'ihinguriro FOMI.Iyo myidogo yaje inyuma yo gucerwa gutanga ifumbire kandi ko n'igitigiri catanzwe,ari gito cane uaravye ifumbire yarishwe.Umurimyi wese yarashoboye kuronka ica 5 c'igitigiri c'ifumbire yari yiteze.

Nk'akarorero nk'umuntu yari kuronka imifuko 5, bamuhaye umufuko umwe gusa bisigura ko bamusigariyeko imifuko 4. Iyo mifuko 4 isigaye,bayanditse ku gatike hanyuma abakozi ba FOMI baregeranije ubutike kugira babugumye iwabo kandi babwiye anbarimyi ko bazogaruka gutanga ifumbire isigaye. Inyuma y'iminsi mikeyi,abarimyi bameshejweko ubutike bwabo bwibwe n'abantu bataramenyekana bamenye ububiko. Abarimyi ntibemeye iyo nyishu yatanzwe n'umukozi wa FOMI kandi bibazako ko ari umukenyuro wo kwiba ayo mahera. Ubu abarimyi bari mukajembegete kandi basaba intwaro gufasha mugutorera inyishu ingorane zabo.

### *Intebe z'ishure zibwe muri komine Bugabira mu ntara ya Butanyerera*

Igisata c'indero muri komine Bugabira gifise ingorane zo kubura ibikoresho vy'ishure nk'intebe. Muri 2023, DCE Bugabira yaronse ishure nshasha bise Ishure nshingiro Ruhehe 2 ifise intebe z'abanyeshure zingana225. Kuwa 2 Rusama 2026, kuri iryo shure,habonetse ko hasigaye intebe 125. Basanze imbaho zishwiragiye mu kibuga. Zimwe zabitswe mu birasi batigiramwo mugihe izindi zatawe mu binogo vy'imyanda .

Vyabonetseko bashaka ivyuma vyo kugurisha ku bantu bagura ivyuma vyakoze.Uwikekwa ubusuma yarafashwe. Chez Ndibanje louis,mu bubiko bwiwe,bahasanze ibiro 31 z'ivyuma vyakoze vyavuye kuri iyo shure.Umuzamu na Louis barahagaritswe ariko bararekuwe.Ibihuha vyarakwiragiye bivuga ko Inyamiramabi Anicet yahawe igiturire c' amahera angana imiriyoni 3 z'amafaranga y'amarundi.Mugufata iyo ngingo,Inyamiramabi yagirije umuyobozi ko atakoze ico ajejwe ku buryo intebe 100 zogenda hanyuma umuyobozi akabireka nk'uwutabibonye.

## *I.6. UMWIHWEZO W'IBIDUKIKIJE*

***Imvura ivanze n'umuyaga mwinshi vyaguruye ibisakazo vy'ishure ntoyi ya komine***

Ibirasi 5 vyaraguruwe n'imvura ivaanze n'umuyaga ukomeye kw'ishure ntoyi ya Nyamashishi,muri zone Kigamba,muri komine ya Cankuzo.

Inyuma y'umutaga kuwa 07 Rusama 2026, imvura atari nyinshi ariko ivanze n'umuga mwinshi warononye iryo shure,kubw'amahirwe haba abanyeshure canke abigisha ntanumwe yari mw'ishure,ku bwo intahe z'abakozi bo kuri iryo shure. Aba bibaza ko ari kubera ubuntu bw'Imana kubona atamuntu n'umwe yahasize ubuzima.

Abigisha baratabaza abantu b'umutima mwiza kugira babafashe gusanura iryo shure,cane cane muri iki gihe c'imvura.

# *II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N' ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

**Ikiziga catowe kireremba ku mazi mu kimanga mu Kanyosha, muri komine Mugere, mu ntara yaBujumbura.**

Ico kiziga c'umugabo atamenyekanye cabonywe kuwa mbere igenekerezo rya 4 Rusama 2026 hafi y'isaha zitatu z'igitondo kireremba ku mazi ari mu kimanga kiri muri karatiye ya Gisyo muri Zone Kanyosha muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura hepfo y'ishure nkuru ya Convivialité.

Ababa mukarere baraba batabona ico gukora kubera ikimanga kibandanya kwaguka kandi amazi agera kure cane ;igiporisi co gukingira abanyagihugu caragerageje ariko atakivamwo ariko hatevye hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba bakoresheje ubwato hamwe n' umugozi kugira barobe ico kiziga hanyuma bakizana ku nkengera y'iyo manga. .

Uwurongoye zone Kanyosha, uyo muntu yoba yapfuye anyereye muri ico kimangakuwa gatandatu igenekerezo rya 2 Rusama 2026 hanyuma hanyuma aranyika kubera ntamuntu yubahutse kuja muri ico kimanga kumurondera naho ivyo vyose atanakimwe cerekana imvo nyayo yatumye arwayo. Habonimana Moïse avuga ko ico kimanga giteye ubwoba ababa muri ako karere kubera kiguma caguka no kwuzura amazi y'imvura.

Asaba ibiro vy'Uburundi bijejwe uburaro gusubira gutangura ibikorwa vyo gusanura ico kimanga vyahagaze haciye amezi 3 ku ngungu y'umutekano w' abanyagihugu.

***Ikiziga c'umugabo catowe kiboshe mu nzu muri komine Ngozi mu ntara ya Butanyerera***

Kuwa 07 Rusama 2026, ku mutumba Rumbaga, muri zone Rukeco, mu ntara ya Butanyerera, ikiziga ca Apollinaire Miburo, w'imyaka50, aba mu gacimbiri Kigarama yatowe yapfuye amanitse hakoreshejwe umugozi uboheye ku nzu y'umuhungu w'uwo bavukana.

Ku bwo vyabona vyo mukarere, uwo yapfuye yarafise amatati n'umugore wiwe ndetse n'umuhungu wiwe kandi n'urwo rupfu rufatanye n'ayo matati.Ku bwo amakuru yatanzwe n'ababanyi bo kuri uwo mutumba ,uwo yapfuye yari amaze igihe atotezwa n' umugore hamwe n'umwana wiwe. Ayo makuru yemejwe na Pacifique NIYONKURU, arongoye zonechef Rukeco, avuga ko uyo muntu ashobora kuba yariyahuye. Avuga ko uwo munyagihugu yaramaze kwitura intwaro kubera ako gatotezo. Ababanyi basigura ko bama batabajwe n'urwami rwo muri uyo muryango mu gihe Apollinaire Miburo yari yakubiswe mbere rimwe rimwe yaryama hanze y'inzu. Ku bwo ivyo vyabona nyene,ico kiziga yatowe mugihe be n' umugore wiwe bategerezwa kwitaba inyamiramabi uwo munsi nyene ku birego yatanze.Ababa kuri uwo mutumba bibaza ko Appolinaire Miburo yishwe kugira urubanza ntirukurikiranwe.

## *II.1. 2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

### Umugabo akiri muto yanyurujwe mu Gisyo, muri zone Kanyosha, muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura.

Kuwa 05 Rusama 2026 hafi y'isaha zine z'igitondo, umunyagihugu azwi kw'izina rya Samuel Nshimirimana yaranyurujwe n'abantu batamenyekanye.

Amakuru twatororokanije aho nyene, Samuel yari iwe,ku muhana uri muri karatiye Gisyo, muri zone Kanyosha, muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura.Ni ho yaronka yitaba iterefone.Asohotse hanze,yaciye afatwa buunonyene n'abantu bamuhatiye kwurira ingendeshwa yo mu bwoko bwa Toyota Probox,ifise ibiyo bitabona,ifise imparati nomero JA7135.

Kubwo amasoko yaho, uburyo NSHIMIRIMANA Samuel yafashwemwo bwibutsa incuro nyinshi zo kunyuruzwa zakozwe n'abakozi b'iperereza ry'Uburundi.Ayo masoko nyene amenyesha ko NSHIMIRIMANA Samuel, w'imyaka 30 avuka muri zone Rugombo muri komine Cibitoke,nk'abandi badafise akazi b'abarundi bagerageza ivy'uburimyi hamwe n'iyindi mirimo mito kandi aba hagati ya Cibitoke na Kanyosha, nta mugambwe n'umwe arimwo canke ngo awukunde.

Ingendeshawa yavuye ho ku muvuduko urenze ifata inzira ya Kabezi.Kuva ico gihe,umuryango wiwe ntamakuru mashasha yiwe ufise haba aho yoba ari kandi ufise amakenga ku mutekano wiwe.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

## *II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA , UGUFATWA BUNYAMASWA HAMWE N'AYANDI MABI*

### *Ukurya amenyo bikomeye vyakuyeko izuru ry'umugabo mw'ijoro i Makamba mu ntara ya Burunga.*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 5 Rusama 2026 imenyesha ko umugabo yakuweko izuru hafi y'isaha zibiri,mw'ijoro ryo kuwa 30 Ndamukiza,i Nyaburumba, muri komine Makamba, mu ntara ya Burunga. Uwo yahuye n'ivyago,yari yahungutse vuba ava muri Tanzanie, atashe iwe n'umugore wiwe inyuma yo kunywa urwarwa mu bunywero.Asigaye inyuma gato,yoba yasanze umugore wiwe ariko avugana n'uyundi mugabo. Uwo mugabo,azwi kw'izina rya Evariste Mpayimana, umwigisha wo mw'ishure yisumbuye ya paruwase yitiriwe Pierre Claver y'i Makamba,yoba yarasotoye uwo yaciwe izuru. Imishwano iratangura hanyuma ihindura isura. Umwigisha yariye amenyo mu maso uwo mugabo gushikaho amuca izuru.

Ivyabona,batangajwe n'ubunini bw'igikomere,bibaza ariko ko ari ikintu gikarishe coba cakoreshejwe. Mu gitondo kuwa 1 Rusama,uwo yahuye n'ingorane yagiye kwa muganga i Makamba n'izuru ryiwe ricitse,mu mwizero ko basubira kuriteranya,ivyavuzwe n' abaganga ko bidakunda. Inyuma y'ubuvuzi bw' ibanze,yarungitswe i Bujumbura kugira akurikiranwe n'abaganga babinonosoye. Ku bwo ivyabona vyaho,abo bagabo 2 boba bazwi mu migenzo ya kera : Evariste Mpayimana nk'umupfuma,uwo yakomerekejwe nawe azwi nk'uwurogora.

Amasoko yemeza kandi ko yikekwa mu yandi mabi asa nayo,guca urutoke akoresheje amenyo,ku murwa mukuru wa Makamba, atamatohoza namwe yigeze akorwa kubera ubwoba bw'ivyo akora. Indongozi zemeza ko Evariste Mpayimana yapfunzwe kuva kuwa 1 Rusama 2026. Amatohoza yaratanguye . Ico gikorwa giteye amakenga ku mabi arenze aguma yiyongera hamwe n'ingaruka z'ibintanzi n'icuka mu kibano mu burere bumwe bumwe.

## *II.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA*

### *II. 2.2.1. Ugufatwa ku nguvu*

***Umwana w'umukobwa w'imyaka 7 yafashwe ku nguvu mu Kivumu,muri komine Matongo mu ntara ya Butanyerera.***

Kuwa 6 Rusama 2026, umwana w'umukobwa w'imyaka 7 ava ku mutumba kivumu muri komine Matongo mu ntara ya Butanyerera yafashwe ku nguvu n'umugabo akiri muto w'imyaka 25 yitwa Nzojibwami Richard. Uwikekwa ko ico caha n'uwo yafashwe ku nguvu bose bava mu muryango w'abatwa b'i Matongo. Nzojibwami Richard yajanye umwana w'ishamba riri ku gacimbiriri Nkuyenke ko ku mutumba Kivumu. Nzojibwami Richard yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho ka komine Matongo kandi uwafashwe ku nguvu yajanywe ku bitaro mu Kayanza kugira avugwe.

**Umwana mutoyi yafashwe ku nguvu i Nkonge muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 6 Rusama 2026,ivuga ko kuwa 6 Rusama 2026, ivuga ko kuwa 27 Ndamukiza 2026,ku mutumba Mutana yo muri zone Nkonge muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera, umukobwa w'imyaka7 yitwa I. C yashurashujwe n'imbonerakure yitwa Cimanayitungiye Prosper w' imyaka17.Uwikekwa ko gufata ku nguviu uyo mwana yarahunze inyuma yo gukora iryo baralarge hanyuma mu nyuma yarafashwe kuwa 2 Rusama 2026 n'izindi mbonerakure bamujaanye ku kirindiro c'igiporisi c'i Muruta imbere yo kwungururizwa mu gasho ka komisariya y'igiporisi mu Kayanza bukeye bwaho kuwa 3Rusama 2026.Uwafashwe ku nguvu yaciye aajanwa ku bitaro vya kayanza uwo munsi nyene kugira avurwe.

**Umukobwa akiri muto yafashwe ku nguvu i Buruhukiro muri komine Rumonge y'intara ya Burunga**

Kuwa 06 Rusama 2026,ku mutumba Muhanda,muri zone Buruhukiro muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga,umukobwa yitwa I. L,w'imyaka 15 yarashurashujwe ku nguvu n'umuhungu yitwa Kabura Israël,umurimyi w'imyaka 17. Uwo muhungu yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho k'kirindiro c'igiporisi ca Buruhukiro hafi y'isah zine z'ijoro. Uwafashwe ku nguvu yajanywe ku kigo c'ubuzima ca Buruhukiro bukeye bwaho kugira bakurikirane amagara yiwe. Uwikekwako icaha yungururijwe kuri komisariya y'igiporisi mu Rumonge,kuwa gatanu igenekerezo rya 8 Rusama 2026 .

### *II. 2.2.2.* Amabi yo mu ngo

***Umuhungu yakubise yongera arakomeretsa nyina wiwe na mushiki wiwe muri kmine Karusi mu ntara ya Gitega***

Hari kuwa gatatu igenekerezo rya 6 Rusama 2026 hafi y'isaha icenda z'umuhingamo ku mutumba Rwingoma muri zone Buhiga ya komine KARUSI igihe umuhungu azwi kw'izina rya NKURUNZIZA Pierre umunywanyi wa CNDD FDD w'imyaka 22 yakubise nyina wiwe KAMANZI Séraphine umunywanyi wa CNDD FDD w' imyaka 52 na mushiki we Jeannette IRADUKUNDA umuhutu nawe nyene ni umu CNDD FDD âw'imyaka 26 abagiriza ko badashaka kumuha uruhande rw'iwe rw'itongo kandi ko batamugaburira.Akoresheje agakero, yarakomerekeje mushikiwe ku ntoke hanyuma aruhira kwica nyina amujemesheje isuka ku rutugu.Kubwo amasoko yaho,ababanyi baratabaye hanyuma uwo muhungu ajanwa mw'ibohero ry' i giporisi muri zone Buhiga. Iryo soko nyene rivuga ko batamuha imfungurwa kubera atashaka gukora kandi itongo yashaka ,yashobora kurigurisha bunonyene.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *II.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II. 3. 1. Uguhagarikwa no gupfungwa bidakurikije amategeko*

***Uguhagarikwa no gupfungwa bikabije vy'umunywanyi wa SAHWANYA FRODEBU i Bururi mu ntara ya Burunga.***

Kuva kuwa mbere igenekerezo rya 04Rusama 2026,uwitwa Séverin Bigirimana umwigisha wo kwishure nshingiro Nyabihunge muri komine Bururi mu ntara ya BURUNGA ari mw'ibohero ry'igiporisi muri iyo komine.

Ku bwo amakuru twatororokanije mu muryango wiwe, uwo mugabo aba muri iyo karatiye , umunywanyi akomeye mu mugambwe SAHWANYA FRODEBU yagirizwa kuba yasuzuguye yongera atuka abanywanyi 3 b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, batowe muri iyoo karatiye ariko arahakana ivyo bamwagiriza. Abo batowe bamutegetse gusaba ikigongwe ariko aranka kugisaba kubera ivyo bamwagiriza bitagira ishingiro. Bamwe bamwe mu baba muri iyo karatiye bavuga ko apfunzwe hadakurikijwe amategeko kubera umugambwe arimwo. Bemeza ko apfunzwe kubera yanse kwinjira mu mugambwe CNDD-FDD. Umuryango wiwe n'ababanyi basaba ko yorekurwa atagisabwe kugira asubire ku kazi.

# III. *UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA*

## *III.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

***Indwara itaramenyekana yatangajwe ku bitaro vy'i Kigutu muri komine Bururi, mu ntara ya Burunga***

Abantu 2 barwaye indwara itaramenyekana bariko barirwa ukwabo ku bitaro vy'i Kigutu muri komine Bururi mu ntara ya Burunga kuva kuwa 28 Ndamukiza uyu mwaka.

Ku bwo umuganga arongoye intara y 'ubuvuzi bwa Jérémie Niyonkuru umunsi binjira ivyo bitaro abo bagabo 2 bose baba muri karatiye Birimba mu gisagara ca Rumonge bari bafise ibimenyetso vy'ubushuhe burenze urugero ariko ibipimo bimaze gukorwa nataco batoye. Ivyo vyavuzwe ku wa gatanu igenekerezo rya 8 Rusama 2026 mu nama i Bururi yateguwe n'ibiro vy'ibitaro vy'akarere ka Bururi mu ntumbero yo guhimiriza abakozi bo mu gisata c'amagara y'abantu ,indongozi zo hasi,abarongozi b'amashengero hamwe n'abandi kugira barwany ibihuhuha, mukubahamagarira kwicungera cane cane muguha amakuru ibigo vy'ubuvuzi igihe cose babonye indwara ifise ibimenyetso bitamenyerewe. Muganga Jérémie Niyonkuru avuga ko ubushikiranganji bujejwe amagara y'abantu bubandanya bugira amatohoza kugira butore ubwoko hamwe n'inkomoko y'iyo ndwara.

# IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI

## IV.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA

### IV.1.1. UBWICANYI BW'ABANA

***Umwana w'imyaka 2 basize wenyene yapfuye kubera impanuka muri komine Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.***

Kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 09 Rusama 2026 muri karatiye kinyabakecuru muri komine Ruyigi umwana w'imyaka 2 yarapfuye asomye nturi mw'ibesani yuzuye amazi . Uwo mwana yitwa IHOZO Lucky umuhungu wa CITEGETSE Fridolin na ZAWADI Odreille. Iyo mpanuka yabaye mugihe umuyaya yari yamusize wenyene aho yagarutse umwana bamaze kumujana ku bitaro mu Ruyigi.

Inyamiramabi yabibonye ni Ndikumana Leonidas. Imiryango myinshhi muri iyo karatiye bavomera amazi mu bikoresho vyo mu gikoni bitagira imifundikizo kugira barwanye ikena ry'amazi. Amazi y' ishirahamwe regideso bashobora kuyaronswa rimwe mu ndwi 2.

***Ikiziga c'uruyoya catowe muri komine Cankuzo mu ntara ya Buhumuza***

Ikiziga c'uruyoya caratowe kuri uyu wa gatatu igenekerezo rya 6 Rusama 2026mu kazu ka surwumwe kw'ishure nshingiro rya karago iri muri zone Minyare muri komine Cankuzo mu ntara ya Buhumuza.

Ku bwo icabona caho, umukobwa wo kuri iyo shure yagiye mu kazu ka surwumwe yabonye ikiziga hanyuma abibwira abandi ivyatumye iyo nkuru imenyekana mu ntwaro. Barashoboye gukurayo ico kiziga ku mugoroba hafi y'isaha cumi kandi intwaro zaciye zimuhambisha. Amatohoza ariko araba kugira hamenyekane uwakoze iryo bara.

**Inda y'amezi 6 yakorowe ku nguvu ku mutumba Kirema muri komine Kayanza mu ntara yaButanyerera.**

Kuwa 25Ndamukiza 2026, umukobwa w' imyaka 18,azwi kw'izina rya SIFIWE, yarahagaritswe yagirizwa kuba yakoroye inda ku bushake kubera igitsure c'umuryango wa Niyongabo, aho yakora akazi ko mu nzu.

SIFIWE yakora akazi ko mu rugo mu muryango wa Niyongabo uri ku mutumba Kirema, muri komine Kayanza. Uwo muryango ufise umuhungu yitwa Lionel, w' imyaka 22 kandi yiga mu mwaka wa nyuma kw'ishure ryitwa Accès School. Kubwo amakuru twatororkanije , Lionel yoba ari we yateye inda SIFIWE.

Kubw'ayo makuru nyene, inyuma yo kubwira Lionel ko afise inda yiwe,umuryango w'uwo muhungu woba wafashe ingingo yo kwirukana uwo mukobwa. Asitse muhira ku bavyeyi biwe, SIFIWE umuryango wiwe wamurungitse kwa Lionel,bibaza ko nyene iyo nda ari uwo muhungu. Asubira gutyo muhira kwa Niyongabo, se w'uwo muhungu nyene iyo nda.Ku bwo intahe z'uwo yakoroye inda, abavyeyi ba Lionel, barondeye gukingira umuhungu wabo,boba bategetse SIFIWE gukuramwo iyo nda. Boba bamuhaye imiti kavukire atabishaka. Inyuma yo kunywa iyo miti ku nguvu, inda ya SIFIWE yoba yarakorotse igeze mu mezi 6.

## *IV.1.UBURENGANZIRA BW'ABANA (Ibikurikira urupapuro 15)*

Inyuma yogukorora iyo nda,amagara y'uwo mukobwa yarabaye nabi cane. Naho vyagenze uko,umuryango wa Niyongabo ntibigeze bamujana kwa muganga. Ahubwo,yategetswe kuguma yugaranywe mu nzu,adashobora no kuronka abamusuhuza.

Umuntu yamenye ivyabaye yoba yaratabaje nyina wa SIFIWE, amumenyeshako umukobwa wiwe amerewe nabi cane. Nyina wiwe rero niko kuza kuraba kuwa gatanu igenekerezo rya 24 Ndamukiza 2026. Yibaza ko umukobwa wiwe yoba agire yibaruke, yaratangaye asanze vy'ukuri uyo mukobwa aheruka gukorora inda kandi ko atatuguvu na dukeye afise. SIFIWE yoba yarabwiye nyina wiwe ko abayeho nk'umupfungwa wo mu nzu. Abonye uburemere bw'ivyo bintu,nyina wa SIFIWE yituye intwaro zaho zo ku mutumba Kirema,muri komine Kayanza, kugira amenyeshe ivyabaye.

Kuwa 25 Ndamukiza 2026, intwaro zaho, baherekejwe n'igiporisi,bagiye muhira mu muryango kwa Niyongabo. Abaporisi basanze SIFIWE ,mugihe Niyongabo,umugore wiwe n'umuhungu wabo Lionel bari gusenga, naririya bari abanywanyi b'idini ry'abasabato b oku munsi w'indwi. Igiporisi bahagaritse SIFIWE kumvo z'amatohoza.

## *IV.1.2. UBURENGANZIRA BWO GUKINGIRA UMWANA AMABI*

**Umukobwa muto yakubiswe na se wiwe mu Rwesero muri komine Kayanza,mu ntara ya Butanyerera**

Kw'igenekerezo rya 6 Rusama 2026, umukobwa yitwa Liesse w'imyaka 10 yiga kw'ishure nshingiro rya Rwesero muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera yaraborejwe igufa na se wiwe yitwa Ngendanzi Rénovat umugabo w'imyaka 40.

Amakuru yatanzwe na nyina w'uwo mukobwa avuga ko umwana yatoye inoti y'igihumbi muhira kugira aje kuriha amahera y' umuzamu nkuko vyasabwe n'abarongozi b' ishure aho uwo munyeshure yiga. Agarutse muhira,nkuko bivugwa n'uwo mwana yakubiswe, Ngendanzi Rénovat yamukubise inkoni nyinshi ku birenge imbere yo gushira ibiganza vyiwe mu mbabura yaka umuriro. Uwikekwako icaha yarahagaritswe n'igiporisi hanyuma ajanwa mu gasho ka komisariya y'igiporisi mu Kayanza kandi uwo yakorewe ayo mabi yajanywe ku bitaro mu Kayanza kugira avurwe.

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi :***

1.Gushiraho ubuhinga buhanitse bwo gukurikirana neza indongozi zo mu ntwaro na poritike zaho kugira bakinge amabi akorwa nabo ;

2.Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga ;

3.Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi yo gufata ku nguvu no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu kugira bishure akabi bakoze ;

4.Gufata ingingo zibereye zo gukingira agateka k'umwana

5.Kurandurana n'imizi uguhengama muri poritike kugira habeho amatora yiteguririrwe co kimwe mu ntumbero yo kugira amatora azobe mu mwidegemvyo, demokarasi kandi adakumira.